Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°793 15 Ruheshi 2023

## Kuvugana umutima : «Tuvuge ukuri mu rukundo»

(Abanyefezi 4,15) (Ibikurikira)

***Kuvuga n'umutima mu rugendo nsangizangendo***

Nk'uko nabivuze, « no muri Ekleziya, inyota yo kwumva no kwumvirizwa irahari. Ni ingabirano ihambaye cane kandi y'ubugwaneza dushobora guha abandi ».

Imana irashaka ko «Ugufata ijambo » vyova ku kwumviriza ata guciranira imanza, ku kwumviriza dutekanye kandi



duha uwundi umwanya, ni ko karanga k'Imana yo itwiyegereza, itubabaye kandi itugenza buhoro. Birihutirwa rero ko muri Ekleziya habaho uguhanahana amakuru gushikira imitima, kuvura ibikomere kandi kumurikira bene wacu na bashiki bacu.

Ndafise indoto y'ukubona muri Ekleziya ukumenyesha amakuru

Soma ku Rup. 5

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Itangazo ryo gusozera Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi yo muri Ruheshi 2023

1. Kuva kw'igenekerezo rya 5 gushika ku rya 9 Ruheshi 2023, Abepiskopi b'Ekleziya Gatolika y' i Burundi barakoraniye hamwe mu nama yabo isanzwe yo mu kwezi kwa Ruheshi. Iyo nama yabereye ku Cicaro cayo i Bujumbura.

2. Igisabisho c'intango giheze, Umukuru w'Inama y'Abepiskopi yaciye ashikiriza ijambo ryugurura ibikorwa vy'inama, mu kwibutsa ko ibaye haheze amazi atatu bavuye mu rugendo rweranda i Roma, ku Kirimba c'Ekleziya gatolika. Yongera aributsa ko iyo nama ibaye hasigaye amezi atatu ngo habe ihimbazwa risozera Yubile y'imyaka 125 Inkuru nziza yakiriwe mu Burundi. Iryo himbazwa rikazobera, i Mugera kuw'igenekerezo rya 15 Myandagaro 2023, ku munsi mukuru w'Ihimbazwa ry'Iyurizwa mw'ijuru rya Bikira Mariya.

3. Ibikorwa nyezina vyaciye bitangura, maze Abepiskopi bahera kugugana-hana amakuru yerekeye ubuzima bw'amadiyoseze bashinzwe, Imbere yuko bayahanahana, Intumwa ya Papa mu Burundi yabanje kubashikiriza intambe agezeko mu kurondera ikibanza n'uburyo bwo kubwaka ikimenyetso mu Minago, aho Nyakwigendera Intumwa ya papa Musenyeri Michael Aidam Courtney yagandaguriwe.

Yarashikirije umwizero afise ko ivyo bikorwa bishobora kuba vyaheze neza ku munsi wo kwibuka imyaka 20 izoba iheze arengutse i Bukama.

4. Mu makuru yerekeye amadiyoseze yabo, Abepiskopi bose barashimira

Soma ku Rup. 2

## Ibirimwo

o Itangazo ryo gusozera Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi yo muri Ruheshi 2023....4
o Amashirahamwe yunganira mu migambi y'agateka ka zina muntu, igiye gutunganya ibikorwa vyayo neza....8
o Umunsi mpuzamakungu wahariwe ibidukikije....9
o Uburenganzira bwo kurondera no kuronswa ubuhungiro....12

# Idominika y'Umushaha Mweranda : Umwaka A

**Igisomwa ca mbere :** Amategeko : 7,6– 1

Ivyo dusoma mu gitabu c'Amategeko :

(Umukama yabatye kubera urukundo abafitiye)

Muri irya minsi, Musa yabwiye abanyisrayeli ati : « Uri igihugu cahezagiwe n'Imana yawe, ni wewe Umukama Imana yawe yatoye mu ntara zose zo kw'isi ngo ube icibare ciwe. Igituma Umukama yabatoye akabitwararika, si ukubera igitigiri canyu casumba ic'abandi bose, mbere nimwe bake kw'isi yose. Yabatoye riho kubera urukundo abafitiye kandi kugira agumye isezerano yasezeranye na basokuru banyu ; ni co gituma Umukama yaramvuye ukuboko kwiwe rubasha vyose akabakiza ubuja, akabakura mu minwe ya Faraoni, umwami wa Misiri.

Uraheza rero utegere ko Umukama Imana yawe ariwe Mana y'ukuri, Imana idatana mu ndagano, idatirigana kw'ijambo, abayikunda bagakwirikiza n'amabwirizwa yayo ikabagumiriza urukundo rwayo gushika ku ruvyaro rw'igihumbi ; abayanka nabo ikabahana kuno nyene. Abayanka ntibagera umutwe, kandi ibaha igihano kibakwiye. Uragumya rero amateka, amabwirizwa n'imigenzo yose ndagushikirije uyu munsi, kugira ngo uyarangure. »

**Igisomwa ca kabiri:** *I*Yohani: 4, 7- 16

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere ry'Umutumwa Yohani:

(Imana yaradukunze)

Ncuti zanje, nidukundane kuko urukundo ruva ku Mana. Kandi uwukundana wese yavyawe n'Imana, kandi arazi Imana. Uwudakundana ntiyamenye Imana, kuko Imana ari Rukundo. Ng'iki icatumenyesheje urukundo rw'Iman muri twebwe : n'uko Imana yarungitse Umwana wayo w'ikinege kw'isi, kugira ngo tube bazima kubwiwe. Ng'iki ikigira urukundo : nuko atari twebwe twakunze Imana, ariko nuko ariyo yadukunze ikarungika umwana wayo kw'isi kuba iciru c'ibicumuro vyacu.

Bakunzi banje, ko Imana yadukunwe ityo, natwe dutegerezwa gukundana. Ntawigeze yihweza Imana ; ariko dukundanye, Imana iratugumamwo, n'urukundo rwayo rukaba rurangukiye muri twebwe. Ng'iki ikitumenyesha ko tuguma muri Yo, na Yo ikatugumamwo : n'uko yadusangije Mutima wayo. Natwe twarihweje kandi turemeza yuko Data yarungitse Umwana wiwe kuba Umukiza w'isi.

Uwo wese yemera yuko Yezu ariwe Mwana w'Imana, Imana iramugumamwo, nawe akaguma mu Mana. Natwe twaramenye kandi twaremeye urukundo Imana idufitiye, ko ruba muri twebwe. Imana niyo rukundo : uwuguma mu rukundo aguma mu Mana, na Yo Imana ikamugumamwo.

## Inkuru nziza : Matayo : 11, 25– 30

**Alleluya, Alleluya.**

- Umukama yavuze ati: "Nimwemere inganji yanje, mukunde n'ivyo nigisha, kuko nitonda kandi nkicisha bugufi bivuye ku mutima."
Alleluya.

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo:

(Ndi uwitonda kandi nkicisha bugufi bivuye ku mutima)

Muri irya minsi, Yezu yavuze aya majambo ati: "Dawe, Mukama w'ijuru n'isi, ndagushemeza kuko wahishije ivyo bintu abanyabwenge n'abahinga, ukabimenyesha ibitazi. Niko Dawe, kuko ariko wabishate. Dawe yarampaye ibintu vyose, kandi nta n'umwe amenya Mwana Atari se, kandi ntawumenya Se Atari Mwana be n'uwo Mwana azoba yamumenyesheje Nimuze mwebwe mwese murushe kandi muremerewe, nzobaruhura. Nimwemere inganji yanje, mukunde n'ivyo ndabigisha kuko nitonda kandi nkicisha bugufi bivuye ku mutima; niho muzoronka akoyoko k'imitima yanyu. Ni ivy'ukuri, inganji yanje ntiremereye, navyo ivyo nzobashinga ntibizobavuna."

# Itangazo ryo gusozera Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi yo muri Ruheshi 2023

*(Bitangurira ku rup.1*

Imana ku vyiza ibandanya igirira Ekleziya yacu, bafatiye kukungene abakristu bacu bahimbaje iminsi mikuru ya Noeli bakitegurira Pasika, bakongera bakita igisabisho c'iminsi icenda co kwitegurira Pentekoti.

5. Mu madiyoseze yose, amapfungo y'ikarema akaba yashimikiye ku "Buzima n'ubutumwa bw'ingo". Baratewe kandi akanyamuneza n'ingene Imikangara y'imana irangura ubutumwa bwayo mu kwitegurira Yubile y'imyaka 50 uyo mugwi utanguye mu Burundi. Bagakengurukiye Imana kubw'igisabisho c'ugusabira ubumwe bw'abemera Kristu iguma ihuza aba kristu benshi, n'ingene umunsi mpuzamakungu wo gusabira ubuzima bwihevyi wahimbajwe neza.

6. Mu madiyoseze yose hararinganijwe amanama yo gukarihiriza ubwenge abasaserdoti.

*Ibik. urup.4*

# Tuzirikane ijambo ry'Imana: Umushaha Mweranda

Bavukanyi dusangiye ukwemera, turiko turahimbaza Umunsi mukuru w'Umushaha Mweranda wa Yezu, Uwadukunze agaherezako, gushika yitange apfe ku musalaba kubera twebwe.

Mu guhimbaza rero uyu munsi, tuzirikana Urukundo Imana yakunze abantu : « Imana yarakunze abantu gushika itange Umwana wayo w'ikinege kugira ngo uwumwemeye ntapfe, aronke riho ubuzima budahera » (Yohani 3,15-16). Kuko naho bari bakiri kure yayo ntiyigeze ibaheba.

***Urukundo rw'Imana rugira imbabazi.***

Mu gisomwa ca mbere twumvise ingene Umukama yagaragaje urukundo rwiwe, arirengagiza ubugaba n'ugukomantaza umutima kw'abanyisrayeli, bibatuma baja mu buja mu Misiri. Ariko Umukama ntiyabahevye, yarabakuye ngo bave muri ubwo buja bari bagorewemwo. « Igihe Israyeri yari akiri muto, naramukunda, hanyuma mpamagara uwo mwana wanje ngo ave mu Misiri.»

Iyo turiko turazirikana Ivyanditswe Vyeranda, turabona ko Imana imeze nk'umuvyeyi koko, kanatsinda ni Umuvyeyi kuko ntaho umuvyeyi yibagira canke ngo ahebe umwana wiwe naho yoba yabaye ikigaba. Urukundo rw'Imana rugira imbabazi. « None noguheba gute ga Efurayimu ? Nokuroha gute ga Israyeli? Mbega nokugira nka Adema ? Nogushira aho nashize Tseboyimu ?

Umutima ntutekanye muri jewe, imbabazi zanje zivyukiye rimwe. Ngiye gutsinda ubukazi bw'ishavu ryanje, singisubira gutikiza Efurayimu, kuko ndi Imana sindi umuntu. Ndi mweranda nkaba hagati yanyu, singisubira kubashavurira» (Ozeya 11,8-9)

Urwo rukundo, uwo mwitwarariko, ico gishika ni vyo turiko dushemeza, tuninahaza uyu munsi mukuru w'Umushaha mweranda wa Yezu, kandi nivyo dukwiye kwama dusabiranira.

None, twebwe turiko turahimbaza uyu munsi mukuru, twebwe abantu b'iki gihe :

-Hari ikintu iri jambo ryotwigisha, canke ryodukeburamwo ?
-Mbega ivyiyumviro biri mu mitima yacu ni ibihe?
-Ni ukwitwararikana?
-Kuri twebwe abantu b'iki gihe, na cane cane abashinzwe kuja imbere y'abandi, twokwigenza gute ?

Ubwo turondera ko abandi botekana, bagatunga bagatunganirwa? Canke mu mitima yacu hariyo ibindi vyiyumviro

Mbega ubwo ntabahevye ibanga bari bashinzwe ryo gutunganiriza abandi, none abo bofashije bagowe ay'ikivumvu ?

-Mbega ntaboba barangaye canke barangajwe kubera ububegito bwa benewabo, none ubu bameze nk'intama zashwiragiye? Bakajakara kubera babuze ababitwararika ?

Muri Yezu Kristu ho rero, tukabona kandi tukamenya ingene twakunzwe kuko yabitwerekeye ku musaraba. Yezu yaradukunze gushika naho yemera agasogotwa icumu mu rubavu rwiwe.

*Kubera iki Yezu Kristu yabonye ayo magorwa yose ?*

Yabonye ayo magorwa yose kubera igicumuro c'abantu, kuko banse kumwakira kandi ata kindi camuvanye mw'ijuru atari ugukiza abantu, kuko habuze urukundo. Umutumwa Yohani ati : «Jambo niwe yari umuco w'ukuri, uboneshereza zina muntu wese, yaraje hano kw'isi. Yari kuri iyi si, iyi si yagizwe nawe, ariko ntiyamumenye. Ya-je iwe, abiwe ntibamwakira. » (Yohani 1,9-11)

Ngo « Bashikiriye Yezu, basanga yamaze gucikana, ntibamuvuna amaguru. Ariko umwe wo muri nya basirikare amusogota icumu mu rubavu, haca hisuka amaraso n'amazi. » (Yohani 19,33-34).

Yaradupfiriye ku musaraba kugira adukize, asubire kutugira abana b'Imana, atwambike agahuzu katuvuyeko kubera igicumuro. Akibambwa ku musaraba, ataka atakambira uwomukiza, yaratereye hejuru avuga ati : « Ndanyotewe ! » (Yahani 19,28)

Bakunzi b'Imana dusangiye ukwemera, Yezu arababazwa n'abatamukunda, akarizwa n'abada-kundana. Iyo niyo nyota yari afise ku musaraba.

None rero twebwe turiko turazirikana twongera duhimbaza uyu munsi mukuru w'Umushaha Mweranda wa Yezu, nitumwigane mu kwakira vyose nk'ishaka ry'Imana, tumukunde mu kwakira Ijambo ryiwe adushikiriza aciye ku ntumwa ziwe. Niho tuzokira ubugaba bwacu, tugakira ukwama twicuza kubera igicumuro kidushira kure y'Imana.

Umukama Yezu Kristu, naturonse umushaha usa n'uwiwe niho tuzokwihweza imbonankubone, tukamunda bishemeye kandi tugakunda na benewacu.

Dusabe :
Mana udapfa, Wewe Rugira vyose, raba Umushaha w'Umwana wawe mukundwa: niwitegereze ingene akuninahaza, raba n'impongano atangira abantu bacumuye. Nibaguhoze, uheze ugirire ikigongwe abakigusaba kw'izina ry'uwo Mwana wawe Yezu Kristu, we muhorana muri intatana hamwe na Mutima Mweranda mu myaka yose.
Amen !

Amen.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Itangazo ryo gusozera Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi yo muri Ruheshi 2023

(Bitangurira ku rup.2)

7. Baraseruye kandi akanyamuneza kajanye n'iminsi mikuru bimirije yo gutanga ubusaserdoti, y'indagano z'abihebeye Imana, amayubire y'amaparuwase hamwe n'itangwa ry'isakramentu ryo gukomezwa muri Mutima Mweranda.

*8. Ku bijanye n'ubuzima bw'igihugu.*

Abepiskopi barashimishwa muri rusangi n'umutekano urangwa hirya no hino mu gihugu, ariko barababajwe n'ingene ubugizi bwa nabi bwibo-nekeje mu bumanuko bw'igihugu, aho hari abantu bishwe batemagujwe imipanga, hamwe n'ugutanga ishano kwasubiye kwibonekeza hirya no hino. Bongera kandi bagahagarikwa umutima no kwinubana hagati y'imigambwe imw'imwe. Bikunyurwa n'ubusuma bukorwa mu mirima no mu mazu.

9. Abepiskopi bararajwe ishinga n'urugero ruguma rwongerekana rw'abashomeri, ku buryo abirukira amahanga bariko baraba benshi gushika naho hariho abagore n'abigeme bagenda mu bihugu vy'abarabu ku bwinshi kandi badashobora gukurikiranwa mu bijanye n'ukwemera kwabo.

10. Ku vyerekeye ubutunzi, abepiskopi barabonye ko umwimbu w'ibiharage utabaye mwinshi kubera imvura yabaye nyinshi cane cane ikonona imirima, igasambura amazu, ahandi igahitana ubuzima bw'abantu. Ibiciro na vyo vy'ivyi-mburwa biguma biduga ku masoko.

11. Abepiskopi baratewe amakenga kandi n'ubukene bw'isukari, igitoro, isima hamwe n'ibinyobwa vy'ihinguriro Brarudi.

12. Abepiskopi bahejeje guhanahana amakuru, baciye bihweze kimwe kimwe mu vyari bitegekanijwe.

a) Kugira ngo urugo rubandanye rumenyesha Inkuru nziza

Kubera ko ukumenyesha Inkuru nziza ari wo muhamagaro w'Ekleziya kandi ko kuva Inkuru nziza ya Yezu Kristu igishika hano iwacu i Burundi, abamisiyona-ri babonye ko kugira ngo ubutumwa bwabo bu-shinge imizi, boshingira ku rugo.

Abepiskopi bararimbuye ingene urugo ubu rwifashe hano i Burundi, inyuma y'imyaka 125 tumenyeshejwe Inkuru nziza. Barabona ingene urugo rw'abakristu rwagize uruhara rukomeye mu gutsimbataza ukwemera no muguhindura imigenzo itabereye yari ihari. Bararimbuye kandi ibiangamiye ingo mu gihe ca none bariyumvira nk'ivyokorwa n'abobikora kugira ngo urugo rubandanye ruba ishingiro mu gukwiza hose inkuru nziza.

Bahavuye kandi baremeza igisabisho ca Yubile y'Ekleziya y'i Burundi kizovugwa n'abakristu bose muri iyi minsi iri imbere.

b) Barihweje ibijanye n'ugutunganya amatungo y'Ekleziya mu kuyatanga hisunzwe amategeko y'Ekleziya.

Nk'uko amategeko y'Ekleziya abitegekanya, ni inama z'Abepiskopi zishinga ibikorwa bisaba itunganywa ry'amatungo mu buryo budasanzwe, nkuko ingongo ya 1277 y'amategeko y"Ekleziya abivuga kandi izo nama zisunze amikoro igihugu babamwo gifise, nizo zigena igitigiri c'amafaranga ntarengwa yofatirwako mu gutanga amatungo y'Ekleziya. Tubisanga mu ngingo y'1292.

Itunganywa ry'amatu-ngo y'Ekleziya risaba Umwungere wa diyoseze kwama agavye. Uko kugaba n'ukubahiriza a-mategeko mw'ikoresha ry'amatungo y'Ekleziya risaba kandi ko ababijejwe bose babwirizwa guhana abajejwe gutu-nganya amatungo, iyo babikoze nabi bigatuma umuryango uhomba, ari diyoseze, paruwase ca-nke uwundi muryango.

c) Integuro y'itegeko ryogenga abakozi bose bakora ibikorwa bigenzurwa n'Inama yabo.

Ikindi abepiskopi bize mu nama yabo ni integuro y'itegeko ryogenga abakozi bose bakora ibikorwa bigenzurwa n'Inama yabo.

Bamaze gusoma integuro y'iryo tegeko, bagahinyanyura ibikenewe vyose, iyo nteguro yaremejwe: ibisata vyose bigenzurwa n'inama y'Abepiskopi bisabwa kwisunga iryo tegeko mu gutegura amategeko abagenga no mu guhinyanyura ayo bari basanganywe hubahirijwe ivyo abakozi bari bafitiye uburenganzira.

d) Ingene ivy'ukwihebera Imana vyifashe mu Burundi.

Ubwa kane Abepiskopi barihweje ingene ivy'ukwihebera Imana vyifashe mu Burundi.

Ingingo ya 605 y'igitabu c'amategeko y'Ekleziya ishinga ko Abepiskopi bokwihatira gutohoza ingabirano nshasha z'ubuzima bwihevyi Mutima Mweranda agabira Ekleziya, mu gufasha abo azicishako kugira ngo batomore neza imigambi yabo kandi babafashe kuyikingira n'amategeko abereye.

Ni muri uyo mwitwarariko wo kurangura neza ubutumwa bashinzwe, Abepiskopi mu nama yabo bihweje ingene ivyo ukwihebera Imana vyifashe muri kino gihe mu Burundi. Basanga hariho imigwi itari mike y'abakristu ihari uko nyene.

Abepiskopi barakengurukа cane ubutumwa-bunywanyi muri iyo migwi bakora. Ariko barabonye ko vyihutirwa cane ko boza barababafasha babaherekeza mu rugendo rwabo, kugira ngo abari muri iyo migwi ishobora gutera imbere, ikazoba imiryango y'abihaye I-mana ishobore gutomora neza akarangamutima kayo kandi ironke amategeko meza ayigenga kugira ngo birinde kujuragirika

Ibikur. urup. 12

# Kuvugana umutima : «Tuvuge ukuri mu rukundo»

*(Abanyefezi 4,15)*

*(Bitangurira ku rup.1*

biyoborwa na Mutima-Mweranda, mu bwiyumanganyi no mu buhanuzi ; ukumenyesha amakuru gushira imbere ubunywanyi n'Imana na bagenzi bacu, na cane cane abakeneye ubufasha bwacu, kandi kuduza u-muriro w'ukwemera ha kugumya umunyota w'ukwikwegerako ; ukumenyesha amakuru kwubakiye ku kwicisha bugufi mu kwumviriza no mu gutanga umwidegemvyo mu kuvuga, kutigera na rimwe gutandukanya ukuri n'urukundo.

***Gutekanya imitima mibi mu guhimiriza imvugo y'amahoro***

Umwanditsi w'igitabu c'imigani ati : « Akarimi gasosa kamena igufa » (Imigani 25,15). Kuvuga n'umutima birakenewe cane muri ibi bihe kurusha mu bindi bihe vyabayeho, ngo ahari intambara bihashire umuco w'amahoro ; ahari urwanko n'inzigo bihace inzira yugururira ikiyago n'ugusubiza hamwe.

Mu gihe isi iri mu bihe tuzi vy'indyane ziteye ubwoba, birihutirwa kwemeza ko ikeneye uburyo bw'ukumenyesha amakuru budaha impigi bamwe mu kubangamira abandi.

Birakenewe kurengera «ingeso yo kurondera gutitura uwo dushamiranye mu kumwararaza tumuvugako ibimwambika iceyi, ha kugiriranira na we ibiganiro bishimitse kandi vyubahirizanya ».



Turakeneye abamenyeshamakuru bafite ubushake bwo kuganira, bafise ico boterera mu kurwanya ivyiyumviro bica ivutu mu gukokeza intambara usanga vyinyegeje mu mitima. Umweranda Papa Yohani XXIII ni we yari yarabihanuye mu rwandiko rw'ubutumwa rwiwe yise « Amahoro kw'isi » (Pacem in Terris) : « Amahoro nyakuri ntiyoshobora kwubakwa ahatagira ukwizerana ku mpande zose » (n. 61), ukwizerana gukeneye abamenyeshamakuru batikumira, ahubwo bubahuka kandi bazi kurondera ibikenewe, biteguriye guhangana n'ingaruka z'ibikorwa vyabo ngo bikunde bashike ku rugero rw'ukwumvikana n'uguhuza.

Uyu musi, co kimwe no mu myaka 60 iheze, turi mu bihe vy'umuzimagiza, aho ikiremwa muntu gitinya igwiririana ry'intambara, harimwo no ku rwego rw'ibimenyeshamakuru. Birakenewe ko izo ntambara zihagarara vuba bishoboka. Ehe nimurabe namwe ukuntu vyorohera abantu gusohora amatangazo asaba gusambura abantu n'intara. Birababaje kandi kwumva ko bidaherera mu majambo gusa, ahubwo biheza bigashirwa mu bikorwa vy'intambara n'ubugizi bwa nabi.

Ni co gituma imvugo iyo ari yo yose icanishamwo yari ikwiye guterwa ivyatsi, co kimwe n'imyiyamamazo iyo ari yo yose yinyegeza inyuma y'ibisa n'ukuri ariko ifise intumbero ihindanije dusanga mu nyigisho zitangwa na bamwe bamwe mu baharanira ivyicaro. Ahubwo icari gikwiye ni uguharanira iterambere mu nzego zose z'itumatumanako amakuru ryofasha mu gushiraho ibikenewe vyose ngo indyane hagati y'abantu zihere.

Nk'abakristu rero, turazi ko ari ku bw'uguhinduka kw'umutima ingingo zose zerekeza ku mahoro zifatwa. Na none n'imigera y'intambara nta handi iva atari imbere mu mutima w'umuntu. Mu mutima ni ho hava amajambo atunganye yirukana umuzimagiza wo mw'isi yiyugaranye kandi yigabuguyemwo ibice.

Ayo majambo araheza akubaka uwundi muco wo mwiza uruta uwo tuba twari twarakiriye. Bisaba gusa akigoro k'umwe umwe wese muri twebwe, ariko vy'umwihariko bigasaba uruhara ruboneka rw'abamenyeshamakuru mu gukora umwuga wabo bumva ko ari ubutumwa atari akazi.

Ese Umukama wacu Yezu Kristu, We Jambo rizima rikomoka kwa Data, yodufasha gukora ubutumwa bwacu bwo kumenyesha amakuru mu mwidegemvyo nta ngere, mu muco no mu muvukano.

Ese Umukama wacu Yezu Kristu, We Jambo yigize umuntu, yoduha inema yo kwumviriza indihagizi z'imitima ya bene wacu, maze tugakubitiza agatima mpembero tukibuka ko turi abavukanyi, gutyo tukarandurana n'imizi ico cose coza gicanishamwo abantu.

Ese Umukama wacu Yezu Kristu, We Jambo ry'ukuri n'urukundo, yodufasha kwama na ntaryo tuvuga ukuri ku bw'urukundo, kugira ngo twame twumva ko turi abarinzi ba bene wacu.

***Bigiriwe i Roma, Yohani w'i Latran mweranda, 24 Nzero 2023, icibutso c'umweranda Fransisko w'i Sales. Papa Fransisko.***

***Vyahinduwe mu kirundi n'igisata ca Diyoseze Nkuru ya Bujumbura kijejwe kumenyesha amakuru (CEDICOM)***

# Uguhimbaza Umusi w'Imana. *(Ibikurikira)*

***Ikigabane ca 4: Umunsi w'umuntu***

Idominika, umunsi w'agahimbare n'akaruhuko mu kwunga ubumwe

*Akanyamuneza kuzuye ka Kristu*

Nahezagirwa uwurije umunsi w'Imana akawushira hejuru y'iyindi yose. Amajuru n'isi, abamarayika n'abantu bose nibasagwe n'urweze ! Abatumwa babaho mu kayamuneza ntangere ku munsi wose bibukira-ko Umukama yazutse. Ako kanyamuneza bakerekanira mu migirwa ya Liturgiya barangura no mu birori vyayiherekeza.

Ogustino mweranda yarerekanye ko ako kanyamuneza ka Pasika ya buri indwi, mu kuvuga ati : «Nimureke kwisonzesha, musenge muhagaze kugira ngo mwerekane ko yazutse, kandi kuw'ico nimuririmbe ALLELUYA iminsi y'Imana yose.

Umunsi w'Imana wose ugomba kurangwa n'urweze abigishwa biwe bamwakiranye yazutse». abigishwa ngo babone Umukama barahimbarwa » (Yohani 20,20). Gutyo iryo yababwiye atarababara riba rirarangutse, nkuko kandi rizorangurwa uko imvyaro z'abemera zizogenda zikurikirana. «N'ukuri ndababwiye ivy'ukuri, muzorira mwo-ngere mwiganyire, isi nayo yibereye mu kanyamuneza; muzoba mumaganya ariko ayo maganya azohinduka agahimbare » (Yohani 16, 20). Yezu yari yasabi-ye abigishwa biwe ngo: « Akanyamuneza kanje kabuzure ». agahimbare ni kimwe mu vyamwa vya Mutima (Rom 14,17; Ga 1,22).

Irangurwa ry'Isabato

Umunsi w'Umukama uko wavuzwe mu Bwuzure bwa Kera, mu gihe c'irema, no mu gihe c'Ihunguka, niko, umukristu uyu munsi nawe ahamagariwe kumenyesha irema rishasha no kwunga ubumwe bushasha bwuzuriye mu kinyegezwa ca Pasika ya Kristu.

Aho kwibagirana, guhayagiza irema rishasha kuronkera ishimikiro muri Kristu, ni ukuvuga mu muco w'ishaka ry'Imana ryo « Kugarurira vyose mu mutwe umwe ariwo Kristu, ibiri mw'ijuru n'ibiri kw'isi ».

Akaranga k'igikorwa c'irema kabaye umuhezagiro no guhezagira Imana uwo munsi yaruhukiyeko. « Imaze kurangiza igikorwa yari yagize (Amamuko 2,3) ; inyuma y'igikorwa cose c'Imana, ISABATO, umunsi w'indwi warahezagiwe kandi waherejwe Imana; ufatanya n'igikorwa c'umunsi ugira 6 aho Imana yarema umuntu « mw'ishusho yayo, asa nayo » (Amamuko 1,26).

Ubwo bucuti buri hagati y'umunsi w'umukama n'umunsi w'umuntu, abarongoye Ekleziya ntibabwirengagije, igihe cose bazirikana ivyerekeye irema.

Ambruwazi mweranda avuga ati : « Ndakurira ubwatsi Umukama Imana yacu yaranguye igikorwa c'ishaka ryayo itakiruhukiye. Yaremey ijuru, ariko ntaho nsoma ngo yararuhutse ; yaremye isi ariko ntaho nsoma ngo yararuhutse; yaremye izuba, ukwezi n'inyeneri, naho nyene ntaho nsoma ngo yoba yararuhutse ! Yamara, nsomye aho yaremye umuntu, ho yararuhutse. Gutyo iba ironse uwo izorekurira ibicumuro. «Gutyo, 'umunsi w'Umukama uba ubaye intatana n'umunsi w'umuntu».

Aho ibwirizwa ry'Imana rivuga riti : « Urama wibuka umunsi w'Isabato, uwutagatifuze ;akaruhuko umuntu yahaye ngo yubahirize umunsi wahariwe Umukama, si umuzigo Imana yashatse kumuremeka, mugabo Imana yashatse ko koba akaryo ko kumufasha kwerekana ukwishira no kwizana kwiwe imbere yiyo Mana Muremyi, n'uko yahamagariwe gusangira nayo ku gikorwa cayo no kwakiriza yompi inema zayo.

Mu kwubahiriza akaruhuko k'Imana, umuntu aca yibonemwo ubwiwe, gutyo, umunsi w'Umukama nawo ukibonekeza urangwa n'umuhezagiro w'Imana. Imana ihezagira ikongera igatagatifuza umunsi w'indwi, kuko ari wo yaruhukiyeko mu bikorwa vyayo vyose yari yagize (Amamuko 2,3).

Urubaha umunsi w'isabato, uwuhimbaze, nk'uko Umukama Ima-na yawe yabikubwirije. Mu minsi itandatu uzoko-ra, urangure imirimo yawe yose, ariko umunsi w'indwi ni isabato y'Umukama Imana ya-we. Nta gikorwa na kimwe uzokora kuri uwo munsi, wewe, umuhungu wawe, umukobwa wawe, umusuku wawe, inka yawe, indogobwa yawe canke ikindi gikoko ico ari co cose co mu busho bwawe, n'umunyamaha-nga azoba ari iwawe.

Gutyo, nkawe ubwawe, umusuku n'umuja wawe nabo bazoshobora kuruhuka. Uzibuka ko wahora mu buja bwo mu gihugu ca Misiri, ko Umukama Imana yawe yagukujeyo ububasha bwiwe rubasha vyose, aramvuye ukuboko kwiwe ; nico gituma Umukama Imana yawe yategetse kwubaha umunsi w'Isabato (Amategeko 5, 12-15).

Aho kwubahiriza isabato n'ufatanywa n'igikorwa c'urukiza Imana yaranguriye igihugu cayo, Kristu yaje kurangura urugendo « rushasha kugira ngo ashikirize umwidegemvyo ababoshwe. Yarakijije abatari bake ku munsi w'isabato 'Mat 12,9-14), atari ukugira ngo asuzugure umunsi w'isabato, ariko kugira ngo awuhe « insobanuro yukwiye ». « Isabato yagiriwe abantu, abantu sibo bagiriwe isabato.

Ni co gituma Umwana w'umuntu aganza n'isabato nyene » (Mariko 2,27).

***Biracaza***

***Ivyiyumvirro bikuru bikuru vyavuye muri «Dies Domini», Inyigisho ya Papa Yohani Paulo wa II***

# Kuva 2025, Intara ya Bujumbura izoba igizwe n'amakomine 11

Intara ya Bujumbura ifise umugwa mukuru Bujumbura, igizwe n'amakomine 11 n'amazone 97. Ayo makomine ni Bubanza, Bukinanyana, Cibitoke, Isare, Mpanda, Mugere, Mugina, Muhuta, Mukaza, Ntahangwa na Rwibaga.




2. Komine Bukinanyana, umugwa mukuru wa komine ni Bukinanyana, igizwe n'amazone 9. Nayo ni:

• Zone Buganda igizwe n'imitumba 4: Cunyu, Gasenyi, Kaburantwa, Ruhagarika.
• Zone Buhayira igizwe n'imitumba 5: Buhayira, Kabuye, Muzenga, Remera na Rugano.
• Zone Bumba igizwe n'imitumba 7: Bumba, BUtara, Munyinya, Nderama, Rtyazo, Ruhembe, Runege.
• Zone Buzirasazi igizwe n'imitumba 5: Gasheke, Gitera, Jerama, Maranga, Nyarurinzi.
• Zone Gahabura igizwe n'imitumba 5: Gaharura, Mikoni, Murengera, Rangira, Rubaya.
• Zone Masango igizwe n'imitumba 5: Kibati, Masango, Mwungo, Nyarwumba na Sehe.
• Zone Ndava igizwe n'imitumba 6: Kansega, Muremera, Mwunguzi, Ndava, Nimba na Nyamitanga.
• Zone Ndora igizwe n'imitumba 9: Bihembe, Bitare, Birimbi, Giserama, Kabondo, Kibaya, Myave, Nyamweha, Nyarubungu.
• Zone Rusenda igizwe n'imitumba 5: Kabere, Nyampinda, Nyangwe, Rusenda na Shimwe.
Yose hamwe ni imitumba 51 igize amazone 9 ya Komine Bukinanyana.

3. Komine Cibitoke, umugwa mukuru wa komine ni cibitoke, igizwe n'amazone 7. Nayo ni :
• Zone Buhindo igizwe n'imitumba 6: Buhindo, Butega, Kagimbu, Kahirwa, Kajerama, Kivumvu.
• Zone Cibitoke igizwe n'umutumba 1 n'amakartiye 4: Murambi, Kartiye Cibitoke, Kartiye Kagazi, Kartiye Karurama na Kartiye Rusiga.
• Zone Kiramira igizwe n'imitumba 4: Kiramira, Mihizi, Rusororo, Ruvumera.
• Zone Murwi igizwe n'imitumba 7: Bubogora, Gitohera, Manege, Masha, Mirombero, Murwi, Mushanga.
• Zone Ngoma igizwe n'imitumba 4: Mahande, Mugimbu, Ngoma, Nyabubuye.
• Zone Rugombo igizwe n'imitumba 4 n'amakartiye 2: Dogodogo, Mparambo, Rugeregere, Samwe, Kartiye Munyika na Kartiye Nyakagunda.
• Zone Rukana igizwe n'imitumba 5: Gabiro, Gicaca, Musenyi, Ruhwa na Rukana.

4. Komine Isare, umugwa mukuru wa komine ni Rushubi, igizwe n'amazone 7. Nayo ni :
• Zone Kibuye igizwe n'imitumba 5: Buyimba, Kibuye, Nyarukere, Rusha na Sagara.
• Zone Kirama igizwe n'imitumba 6: Gasenyi, Gatebe, Kavya, Muturirwa, Rubaya, Rutunda.
• Zone Mageyo igizwe n'imitumba 7: Buhanda, Gitwe, Karugamba, Kinama, Mageyo, Muhororo na Muyabara.
• Zone Martyazo igizwe n'imitumba 6: Burenza, Butega, Kanyinya, Kigunga, Kinyinya, Magarure.
• Zone Mubimbi igizwe n'imitumba 5: Gisagara, Kiziba, Mubimbi, Muzazi, Nyankuba.
• Zone Rushubi igizwe n'imitumba 6: Bibare, Caranka, Cirisha, Nyarumpongo, Rushubi, Rutegama.
• Zone Ryarusera igizwe n'imitumba 7: Gakenke, Gishubi, Kayoyo, Mugomere, Muhweza, Mwura na Zinga.
Yose hamwe ni imitumba 42 igize amazone 7 ya Komine Isare.

5. Komine Mpanda, umugwa mukuru wa komine ni Mpanda, igizwe n'amazone 9. Nayo ni :
• Zone Buringa igizwe n'imitumba 5: Buringa, Mpanda, Ninga, Nyeshanga, Ruhahe.
• Zone Butanuka igizwe n'imitumba 5: Butanuka, Butembe, Kanenga, Kivyibusha, Ruziba.
• Zone Gihanga igizwe n'imitumba 5: Buramata, Gihanga, Kizina, Murira na Rumotomoto.
• Zone Mpanda igizwe n'imitumba 5: Gahwazi, Gatagura, Gifurwe, Masha, Nyomvyi.
• Zone Mudubugu igizwe n'imitumba 6: Busongo, Cabazi, Gihungwe, Kagwema, Muyange, Rugunga.
• Zone Musenyi igizwe n'imitumba 5: Murengeza, Musenyi, Nyamabere, Rubira, Rugenge.
• Zone Muzinda igizwe n'imitumba 5: <butanuka, Kibenga, Kirengane Mutara na Muzinda.
• Zone Ruce igizwe n'imitumba 5: Giseza, Kabanga, Ruce, Rutake na Rwamvurwe.
• Zone Rugazi igizwe n'imitumba 6: Bugume, Karambira, Kayange, Kibuye, Nyenkarange na Rugazi.
Yose hamwe ni imitumba 47 izigize amazone 9 ya Komine Mpanda.

6. Komine **Mugere**, umugwa mukuru wa komine ni Kabezi, igizwe n'amazone 11. Nayo ni :
• Zone Buhanda igizwe n'imitumba 7: Bugongo, Buhanda, Masenga, Nyankere, Nyarwedeka, Rukingiro, Ruvyagira.
• Zone Gomvyi igizwe n'imitumba 9: Bubanza, Burima, Kayengwe, Gakara, Gomvyi, Murambi, Ntobo, Rubanda na Rutovu.

***Biracaza***

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Amashirahamwe yunganira mu migambi y'agateka ka zina muntu, igiye gutunganya ibikorwa vyayo neza

Ku magenekerezo ya 6 na 7 Ruheshi 2023, mw'ihoteli Zion Beach, ubushikiranganji bwo gufatana mu nda, imibano agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira, bwaratunganije ihwaniro ku mashirahamwe yose, asanzwe yunganira mubijanye n'ivyo ubwo bushikiranganji bujejwe, kugira babahe intunganyo y'ingene bokora ibikorwa, bisunze intumbero ya leta.

Ivyo bikaba vyakozwe uko, kubera bagiye ku rubuga, basanga imigambi irangurwa n'ayo mashirahamwe idahura n'amafranga baba bahahwe.

Ubwo bushikiranganji bukavuga buti: "Ayo mafranga bahabwa ntayo dukeneye, ariko twifuza ko akora ico yagenewe ku neza y'umunyagihugu".

HATUNGIMANA Pontien, ni umunyamabanga ntayegayezwa muri ubwo bushikiranganji, avuga ko ubushikiranganji bushimishwa na bimwe bimwe mu bikorwa bitunganywa n'ayo mashirahamwe, ariko muri ayo, hariho ayadakora yisunze ibiri muvyo ubwo bushikiranganji buba bwategekanije na cane cane muri porogarama 4 ubwo bushikiranganji bwashize imbere ari zo :


Foto : Chanel HARINAGNJI

- Ugukinga no gutegekaniriza kazoza abenegihugu,
- Kunganisha ibitsina,
- Agateka ka zina muntu,
- Ibikorwa vyo muri rusangi.

Akavuga kandi ko ubu bagiye kurwiza amanama kubisata bitandukanye hamwe no gutegekanya ingendo kugira bashike ku rubuga kugira barabe ingene ibikorwa biriko birarangurwa.


Foto : Chanel HARINAGNJI

Bamwe mu bagize amashirahamwe bari bitavye iryo hwaniro

Yohani NIMUBONA, ni umwe mu bari baje baserukira amashirahamwe. Avuga ko akarusho bazokura muri iyo ntunganyo nshansha yo gutunganya imigambi izokorwa hisunzwe amafranga azoba yategekanijwe, n'uko bizofasha ubushikiranganji kumenya amashirahamwe bariko barakorana, ivyo bikazotuma atashirahamwe rizosigara inyuma. Agasaba ayo mashirahamwe kwifadikanya n'ubushikira-nganji kugira babitunganye neza.


Foto : Chanel HARINAGNJI

Mbere akabona ko hakwiriye guhanahanwa ivyiyumviro hagati y'ubwo bushikiranganji n'abo bose bafise ico boterera mw'iterambere ry'igihugu kugira bikorwe neza gusumba.

Tubamenyeshe ko ico gikorwa co gukoranya ayo mashirahamwe catanguye mu mwaka wa 2020.

***Chanel HARINGANJI***

## Integuro y'amafaranga Reta itegekanya kuzokoresha: 2023-2024

Imiliyaridi zirenga 728 nico gihengeri Kiri mu nteguro y'amahera Leta itegekanya kuzokwinjiza n'ayo itegekanya gukoresha murur'uno mwaka 2023-2024 nk'uko bishikirizwa na Générose KIYAGO, mu mwihwezo sentare yubahiriza amatungo ya Leta asanzwe arongoye.

Kur'uno wa kabiri akaba yari umutumire mu



nama nkenguzamateka kugira ashikirize umwihwezo iyo sentare yagize Ku nteguro y'ibwirizwa rigenga amahera Leta izokoresha uwu mwaka w'amafranga wa 2023-2024.

Naho ico gihengeri ari kinini Leta ngo yarategekanije uburyo bwo gushobora kukizibira.

# Umunsi mpuzamakungu wahariwe ibidukikije.

Ku wa 5 Ruheshi 2023 ni umunsi mpuzamakungu wahariwe ugukingira ibidukikije. Uno mwaka ukaba ugira uwa 50 kuva bashinze uwo munsi mu mwaka wi 1972 aho ishirahamwe mpuzamakungu ryagena uwa 5 Ruheshi nk'umunsi mpuzamakungu w'ibidukikije.

Bakaba batanguye kuwuhimbaza ku wa 5 Ruheshi 1973 ku civugo ngo: « Isi ni imwe.» Uko imyaka yagiye irakurikirana, mu runani rw'ibihugu vyo kw'isi, uguhimbaza uwo munsi vyatumye ibihugu bironka akaryo ko guhimiriza no gukora ibiboneka kugira batorere inyishu ibituma ikirere cononekara.

Ivyo navyo bikaba biva ku kwononekara kw'amazi y'ibiyaga kubera ibicafu bija mu biyaga bitandukanye, ubushuhe bw'ikirere, uguhonya amashamba bigatuma ubwoko bw'ibikoko bimwe bimwe bihona n'ibindi.

Uno mwaka uwo munsi wahimbajwe ku civugo ngo « Turwanye ukononekara kw'ikirere guturutse ku maplastike. » Amakungu akaba ahamagarirwa gukora uko ashoboye ngo bagabanye ikoreshwa ryayo, mu gihe nk'uko ikinyamakuru c'i Geneve mu gihugu c'Ubusuwisi kibivuga, amatoni arenga 430 y'amaplastike ariyo akorwa uko umwaka utashe kw'isi yose. Igice cayo akorwa akaba akora rimwe gusa, ibice cumi kw'ijana nayo akaba akoreshwa yisubiriza. Muri ayo akora rimwe gusa bagaca bata, ico kinyamakuru kimenyesha ko hagati y'amatoni 19 na 23 y'amaplastike ahereza kuja mu biyaga no mu mabahari.

**Inkurikizi z'amaplastike ku bidukikije.**

***Ibinyabuzima vyo mu mazi**

Abahinga barerekana ko ufatiye ku micafu yibonekeza ku nkengera z'ibiyaga, ibice 73 kw'ijana bigizwe n'ama-plastike. Kubera bitabora, bishobora kumara hafi imyaka 400, bigurukanwa n'umuyaga kubera bitaremereye, bigatuma bibandanya kwonona ikirere. Amaplastike akaba atuma ibinyabuzima vyo mu biyaga bitagwira ndetse ubwoko bw'amafi amwe amwe n'inyoni birapfa kubera ayo maplastike.

***Ku magara y'abantu**

Imicafu iva ku maplastike irasanzaye mu kirere. Bigatuma ikirere cononekara, tugahemuka impwemu zanduye kubera ayo maplastike. Amahinguriro menshi akora amaplastike, akoresha petrole.

Ayo mahinguriro akaba angana ibice 6 kw'ijana mu gukoresha petrole. Imicafu iva muri izo plastike igatuma hagwira mu kirere ivyotsi bituma ikirere gishuha cane. Uguturira imicafu iva mu maplastike, ituma ikirere cononekara mu gihe babitururiye mu kibanza kitabigenewe.



Kubera ko amaplastike menshi atabwa mu biyaga abahinga barerekana ko uduce dutoduto amaso yacu adashobora kubona turi mu binyabuzima vyo mu mazi bigatuma uwufunguye ivyo binyabuzima agira amagara mabi, kenshi n'indwara zimwe zimwe tuzandura kubera utwo dusigarira twa plastike. Ama plastike kandi, aranyengetera mwivu ndimwa, bigatuma ibiterwa dutera navyo nyene binyegeterwa nutwo dusigarira twa plastike, gurtyo bikabangamira ubuzuma bwababifunguye.

**Ubwo abarundi turazi ingaruka mbi za plastike?**

Ku wa 8 Myandagaro 2018, Nyenicubahiro umukuru w'igihugu Petero Nkurunziza yari arongoye Uburundi yarashize umukono kw'itegeko i nomero 100/009 ryabuza kwinjiza mu Burundi,ugukora, kugurisha no gukoresha ubumwanya n'ibindi bikoresho bikozwe muri plastike.

Mu kwezi kwa Gitugutu 2020, nyakubahwa Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ugukingira ibidukikije yaramenyesheje ko uwuzofatwa ataye imicafu ya maplastike ahariho hose azotanga amande ari hagati y'ibihumbi 2000 na 5000 y'amafranga y'amarundi.

Baciye bashira ku mabarabara ibigega bitegekanirijwe iyo micafu, ariko ntikibuza ko usanga iyo micafu mu bindi bibanza. Imiserege itwara amazi yisuka mu kiyaga Tanganika myinshi yuzuyemwo amaplastike.

Uravye ingene mu mihana myinshi bakoresha cane ibikoresho vya plastike, bikanadandazwa mu masoko, amazi n'ibinyobwa vy'imitobe vyibonekeza ku bwinshi, biragaragara ko tutarategera ingaruka mbi zayo maplastike ku buzima bwacu hamwe n'ibidukikije. Twikebuke tumenye ko ingaruka mbi zirwa kuri twebwe.

Twikebuke, tumenye ko ingaruka mbi zirwa kuri twebwe.

*MSV M. Goreth Ndikumana*

# Uburenganzira bwo kurondera no kuronswa ubuhungiro

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kurondera no kuronswa ubuhungiro mu gihe abona ko umutekano wiwe ubangamiwe. Gusaba no kuronswa ubuhungiro, ni uburenganzira bwa zina kiremwa muntu wese kandi butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi atandukanye.

1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya uburenganzira bwo kurondera no kuro-nswa ubuhungiro.

Uburenganzira bwo kurondera no kuronswa ubuhungiro, burategekanijwe mu masezerano mpuzamakungu atandukanye.

*1.1. Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu*

Nk'uko ingingo ya 3 n'iya 5 zibivuga, umuntu wese afise uburenganzira bwo kubaho, bwo kwishira akizana no gukingirwa mu buzima bwiwe. Ziravuga kandi ko ata muntu numwe azohahazwa mu buzima bwiwe, azocurwa bufuni na buhoro canke azofatwa bunyamaswa ku buryo bumusinzikaza canke bumutesha agaciro runtu.

Mu gihe ubwo burenganzira butubahirijwe, ingingo ya 14 ivuga ko, umuntu wese, mu gihe ariko arahamwa canke ariko aratotezwa, ararekuriwe gusaba kandi akaronswa ubuhungiro mu bindi bihugu. Ariko n'aho biri uko, ubwo burenganzira burafise aho bugarukira kuko agace ka kabiri k'iyi ngingo kavuga ko, ubu burenganzira butubahirizwa ku muntu akurikiranwa n'ubutungane.

1.2. Mu masezerano ya Afrika y'agateka ka zina muntu n'akabenegihugu No muri aya masezerano, turasangamwo ingingo zubahiriza uburenganzira bwo gusaba no kuronswa ubuhungiro.

Ingingo ya 12 mu gace kayo ka 3 ivuga ko, umuntu wese, mu gihe abona yuko ubuzima bwiwe bugeramiwe, afise uburenganzira bwo kurondera ubuhungiro mu kindi gihugu, ariko akisunga amategeko agenga ico gihugu aronderamwo ubuhungiro hamwe n'amategeko mpuzamakungu agenga impunzi.

*1.3. Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye impunzi.*

Aya masezerano arasorongora impunzi uwo ari we, akerekana kandi ibituma umuntu arondera ubuhungiro agatako akaburonswa.

Tubisanga mu gace ka kabiri k'ingingo ya mbere y'aya masezerano kavuga ko, impunzi ari umuntu wese, abonye ko ubuzima bwiwe bubangamiwe bivuye ku rukoba, ku bwoko, ku vyiyumviro vyiwe, kw'idini arimwo, ku mugambwe arimwo, agaheza akarondera ubuhungiro kandi akaburonswa mu kindi gihugu kitari ic'amavukiro, kandi akaba yemeza ko ico gihugu c'amavukiro kidashobora kumukingira. Ijambo impunzi rirakoreshwa kandi ku muntu avuye mu gihugu yabamwo n'aho atari ic'amavukiro, akaka ubuhungiro mu kindi kubera abona ko ubuzima bwiwe bubangamiwe.

N'aho iyi ngingo isorongora ijambo impunzi ikongera ikerekana ivyo vyose bituma umuntu yitwa impunzi, iravuga kandi mu gace k'ayo C ko ubwo burenganzira bwo kwitwa impunzi bushobora guhagarikwa.

*Imvo zituma buhagarikwa ni izi :*

- Iyo impunzi yo nyene ubwayo yiyemereye ko igihugu c'amavukiro gitekanye ko gishobora kumukingira ;

- Iyo umuntu aronse ubwenegihugu yari yaratakaje ariko akaburonka ku gushaka kwiwe ;

- Iyo umuntu afashe ingingo yo gusubira ku gushaka kwiwe mu gihugu yaje avamwo;
- Iyo bigaragaye ko ivyatumye umuntu ahunga igihugu c'amavukiro vyaheze, ntashobore kuguma yemeza ko igihugu kidashobora kumukingira.

Nk' uko aya masezerano mpuzamakungu abandanya abivuga, uburenganzira bwo kurondera no kuronswa ubuhungiro ntibushobora kwubahirizwa ku bantu bagirizwa ivyaha vy'ihonyabwoko, vy'agahomerabunwa canke ivyaha vyo mu ntambara, ivyaha vyo guhohotera ubuzima bwa kiremwa muntu, ca-nke ivyaha bikomeye bihohotera agateka ka zina muntu mu gihugu ico arico cose. Aya masezerano arerekana kandi ibisabwa igihugu cakiriye impunzi.

1. Ku bijanye n'abemerewe guhabwa ubuhungiro, ingingo ya 3 ivuga ko, ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano, mu gihe bifashe ingingo yo gutanga ubuhungiro, iyo ngingo yerekeye ababusavye bose kandi bafise igituma, hatarabwe ubwoko, idini canke igihugu bavamwo.

2. Ku bijanye n'ukwemera kw'impunzi, ingingo ya 4 ivuga ko, igihugu gitanze ubuhungiro, gitegerezwa guha ubwigenge impunzi kuvyerekeye gusengera mw'idini umuntu ashaka, kandi ubwo bwigenge bakaburonswa ku rugero rumwe n'abenegihugu bo muri ico gihugu c'ubuhungiro. 3.

Ku bijanye n'ingene impunzi zitegerezwa gufatwa mu gihugu c'ubuhungiro, ingingo y'indwi y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye impuzi ivuga ko ico gihugu kibafata nk'uko gifata abanyamahanga bakibamwo muri rusangi.

Mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bwo kurondera no kuronswa ubuhungiro, hamwe no guhumuriza uwo wese ahunze kubera ibangamirwa ry'umutekano wiwe, ingingo ya 31 y'aya masezerano ivuga ko, ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano vyiyemeje ko, abantu bose binjiye ku butaka bw'igihugu bavuga ko bahunze umutekano muke urangwa

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo kurondera no kuronswa ubuhungiro

*(Bitangurira ku rup.10)*

mu gihugu c'amavukiro badashobora gufatirwa ibihano ngo n'uko binjiye ku butaka batabisavye. Ibandanya ivuga ko, mu gihe bigaragaye vy'ukuri ko umutekano wabo ugeramiwe, izo mpunzi zitegerezwa guca zakirwa, zigakorerwa ivyo vyose bitegekanijwe n'aya masezerano.

Ingingo ya 32 na yo ivuga ko ata gihugu cashize umukono kuri aya masezerano gishobora kwirukana impunzi, kiretse iyo bigaragaye ko zishobora gutuma umutekano w'igihugu uhungabana.

Aya masezerano kandi arerekana ko atari igihugu conyene gifise ivyo gisabwa, ko n'impunzi zifise ivyo zisabwa mu gihe zamaze gushika mu gihugu c' ubuhungiro.

Tubisanga mu ngingo ya 2 ivuga ko impunzi zitegerezwa kwubahiriza amategeko agenga igihugu c'ubuhungiro cane cane amategeko yerekeye iyubahirizwa ry'umutekano w'igihugu.

Izi ngingo zitandukanye zidondaguwe aho hejuru, zirerekana ingene amasezerano mpuzamakungu atandukanye ategekanya uburenganzira bwo kurondera no kuronswa ubuhungiro.

Tubamenyeshe ko Uburundi bwashize umukono ku masezerano mpuzamakungu atandukanye ategekanya uburenganzira bwo kurondera no kuronswa ubuhungiro.

Iyo igihugu gishize umukono ku masezerano, yaba mpuzamakungu canke ay'akarere, kiba cemeye kuyashira mu ngiro. UKuyashira mu ngiro nako si ukundi, ni uko gishira mu mategeko akigenga, ingingo zitegekanya ubwo burenganzira.

2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya uburenganzira bwo kurondera no kuronswa ubuhungiro

Amategeko atandukanye tugendera ko ngaha mu Burundi, arategekanya uburenganzira bwo kurondera no kuronswa ubuhungiro.

*2.1. Mw'Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi*

Ingingo ya 50 mu gace kayo ka mbere ivuga ko umuntu ahungiye mu Burundi yakirwa hakurikijwe amabwirizwa.

Mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bwa kiremwa muntu wese bwo kurondera no kuronswa ubuhungiro, Uburundi bwarashizeho ibwirizwa n°1/32 ryo ku wa 13 munyonyo 2008 ryerekeye ingene ubuhungiro butangwa n'ingene impuzi zikingirwa mu Burundi.

Ingingo ya 5 y'iryo bwirizwa ivuga ko, ubuhungiro ari ugukingirwa Uburundi buha umunyamahanga wese, afise igihugu c'amavukiro canke ataco afise, yinjiye ku butaka bw'igihugu kubera atinya ko umutekano wiwe wohava uhungabana kubera urukoba, ururimi, idini canke ivyiyumviro vyiwe, kandi yerekanye ko igihugu c'amavukiro kidashobora kumukingira.

Iyi ngingo ibandanya ivuga kandi ko Uburundi buha ubuhungiro bukongera bugakingira umunyamahanga wese aje ku butaka bw'Uburundi, yerekana ko ubuzima n'ubwigenge vyiwe bibangamiwe, kandi ko ahohoterwa n'inzego za Reta z'igihugu c'amavukiro.

N'aho biri uko, agace ka mbere k'ingingo ya 6 y'iri bwirizwa ryerekeye ingene ubuhungiro butangwa n'ingene impunzi zikingirwa mu Burundi karatomora neza ko Uburundi budashobora guha ubuhungiro abantu bagirizwa ivyaha vy'agahomerabunwa, ivyaha vyo mu ntamabara, ivyaha bidasanzwe n'inyifato inyuranye n'intumbero hamwe n'ivyiyumviro ngenderwako vy'ishirahamwe mpuzamakungu ONU.

*Ingingo ya 10 nayo irerekana imvo zimwe zimwe zituma umuntu asaba ubuhungiro mu Burundi ataburonka :*

- Iyo yabeshe inzego zibijejwe mu gihe ariko arerekana canke ariko aravuga umwidondoro wiwe ;
- Iyo aterekanye mu kiringo c'amasaha 48 inkaratasi z'inzira canke izindi zose zotuma amenyekana uwo ari we ;
- Iyo bigaragaye ko yasavye ubuhungiro mu bihugu vyinshi ;
- Yirengagije gukurikiza ivyo amategeko y'Uburundi amutegeka ;
- Asavye ubuhungiro yarasanzwe aba mu Burundi akabikora mu ntumbero yo gusamaza ubutegetsi kugira ntibufate ingingo yo kumwirukana ;
- Iyo asavye ubuhungiro haciye igihe gito hasohotse ingingo ya sentare ku vyaha yakoze .

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 19, umuntu asavye ubuhungiro mu Burundi ntashobora kwirukanwa mu gihe bitagaragaye ko ahungabanya umutekano w'igihugu.

Impunzi ziri mu Burundi zirafise kandi uburenganzira bwo kuronswa inyigisho mu mashure ndetse n'ubwo kwivuza nk'uko tubisanga mu ngingo ya 67 ya rino bwirizwa.

Mu gusozera, twomenyesha ko n'aho kiremwa muntu wese afise uburenganzira bwo kurondera no kuronswa ubuhungiro, ategerezwa gukurikiza amategeko asanze mu gihugu c'ubuhungiro. Ikindi ni uko mu gutanga ubuhungiro ata bishobisho bijamwo.

Bigaragaye ko uwurondera ubuhungiro akurikiranwa n'ubutungane kubera ivyaha akurikiranwako canke ariko akoresha ikinyoma vy'ukuri ko umutekano wiwe utariko urahungabana, nta buhungiro aheza ngo aronswe.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Itangazo ryo gusozera Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi yo muri Ruheshi 2023

*(Bitangurira ku rup.2*

no guhuba.

e) Ubwa gatanu, Abepiskopi barihweje uburyo bubereye bwo kumenyekanisha umugambi wo gukinga amabi akorerwa imiyabaga hamwe n'abafatwa nkabo.

Umuyobozi mukuru w'Ibiro bijejwe kwihweza amabi y'uguhumbisha abatarashika mu bigero canke abafatwa nkabo vyagirizwa abasaserdoti canke abihebeye Imana, yaramenyesheje abepiskopi icegeranyo cavuye mu nama aherutse kugirisha ari kumwe n'abo basangiye ubutumwa.

Yarashikirije kandi integuro y'ingingo zerekeye inyifato ibereye ituma abana canke abafatwa nkabo bakingirwa amabi mu bisata vyose vy'Ekleziya gatolika yo mu Burundi.

f) Ubwa gatandatu ari bwo bwa nyuma, Abepiskopi barihweje ugukurikiranira hafi ubuzima bw'imibano y'abantu no guherekeza umugambi w'amatora yo mu 2025 gushika mu 2027, vyokorwa n'Inama y'Abepiskopi.

Kuva kera, Inama y'Abepiskopi b'i Burundi bamye bafise umwitwarariko w'ingene imibano y'abantu yifashe mu gihugu. Ivyo vyamye bibo-nekera mu makete no mumatangazo bashikiriza. Uwo mwitwarariko w'ubuhanuzi ubwirizwa no kwibonekeza no muri kino gihe hari ibimenyetso vyerekana ko mu mibano y'abantu, atawosya bwose. Muri uwo mwitwarariko w'ubuhanuzi, Ekleziya ibwirizwa guhura n'intambamyi atari nke.


Nico gituma abari mu nama bongeye kwerekana ko hakenewe abantu bafise ubuhinga bukwiye bafasha kugira umwihwezo mwiza ku bijanye n'imibano y'abantu, bagashobora no gufasha kugira ngo integuro y'ikiringo gikwiye yofasha guha intumbero umwitwarariko n'ubuhanuzi no guherekeza neza ibiringo vy'amatora.

Ekleziya rero iratumirirwa guteza imbere ubuhinga bwo kurimbura ivyerekeye imibano, ikiga gukorera ku gihe kugira ngo ishobore gukora ubutumwa bwabo bw'ubuhanuzi.

Abepiskopi basozereye inama yabo bavugana utuntu n'utundi twerekeye ubuzima n'ubutumwa bw'Ekleziya.

Bigiriwe i Bujumbura kuwa 9 Ruheshi 2023.

*Kubw'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi Bonaventure NAHIMANA, Umwepiskopi wa Di-yoseze nkuru ya Gitega akaba n'Umukuru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi.*




By Ndongozi y'Uburundi